Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com

Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°850 01 Munyonyo 2025

# Ivyimburwa ni vyinshi, abakozi bakaba bake

## (Matayo 9:37)



Foto: Chanel HARINGANJI

Abo babikira mubona, ni Mama Mariya Yohani Batista Kanani, Mama Mariya Annociata wa Yezu Nshimirimana na Mama Mariya Louise Mukandutiye bariko biyegurira Imana ubuzima bwabo bwose

Sabe rero nyene umurima arungike abandi bakozi mu murima wiwe (Matatyo 9:38).

Iryo jambo Yezu yaribwiye abigishwa biwe, ababwira ko bakwiye gusaba Imana ariyo Nyene umurima, kugira irungike abigisha b'Inkuru Nziza mu gihugu cayo, kuko hari benshi bakeneye urukiza rw'Ijambo ryayo.

Ako kamo ka Yezu karitwabwe mu muryango

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Ku ncuro igira 32, Uburundi bwaraye bwibutse igandagurwa rwa Prezida Melekiori Ndadaye



Uko umwaka utashe kw'igenekerezo rya 21 gitugutu, Abarundi baribuka igandagurwa rya Prezida Melekiori Ndadaye, Umukuru w'igihugu yari yatowe mu 1993.

Ivyo birori bikaba vyatangujwe n'inkuka y'imisa yaherejwe kuri Katedrale Regina Mundi, irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Gervazi Banshimiyubusa, Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura.

Mu nyigisho yiwe, Musenyeri Gervazi Banshimiyubusa amaze guhoza umuryango w'amaraso, kuko n'ubundi ngo « habura uwavyaye »,

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo


- Ivyimburwa ni vyinshi, abakozi bakaba bake (Matayo 9:37)............................5
- MUREMERA: Ihimbazwa ry'isabukuru y'ubutungane n'amahoro............7
- Ikiza ca Korera kirabangamiye abanyagihugu...........................8
- Uburenganzira bwa kiremwa muntu n'aho bugarukira...........................10

# Idominika ya 31 : *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Ubwitonzi : 11, 22-12,2*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ubwitonzi :

(*Imana irakunda ibiremwa vyayo vyose*)

Mukama, isi yose imeze imbere yawe nk'agatete k'umusenyi gahengeka umunzane, nk'ima ry'urume ruzindukira gutonyangira hasi. Mukama, ufitiye imbabazi abantu kuko ushoboye vyose : nturaba ibicumuro vyabo kugira ngo bigarure. Nkako nyene ufitiye urukundo rw'igishika ibiremwa vyose, nta na kimwe mu vyo wagize kigutera ishishi ; ico wanka ntiwari kukirema. Ikidashatswe nawe coshobora kuramba gute ? Ikidahamagawe nawe coshobora kurama gute ? Igituma ugirira imbabazi ibiremwa vyose, nuko ari rwawe, nuko uri Rugaba ukunda ubuzima, impemu zawe zikabeshaho vyose., abaguye, uritonda mu kubahanura, urabakebura, ukabereka igicumuro cabo, kugira ngo bikure mu kabi, babonereho kukwemera, Mukama.

## Igisomwa ca kabiri: *2 Abanyatesalonika 1, 11-2,2*

Ivyo dusoma mw'ikete rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika :

(*Twitege Umukama mu mahoro atagira imvange*)

Ncuti zanje, twama tubasabira ngo Imana yacu isange mukwiranye n'ibanga yabahamagariye ; kubera ububasha bwayo, nibafashe kurangura bimwe bishemeye ivyiza vyose mushaka gukora, niremeshe ukwemera kwanyu, kugira ngo izina ry'Umukama wacu Yezu rininahazwe muri mwebwe, namwe mushimagizwe muri we: ico ni co Imana yacu n'Umukama Yezu Kristu babateguriye.

Benewacu, dushaka kubahanura ku vyerekeye umuzo w'Umukama wacu Yezu Kristu n'ikoraniro ryacu hamwe nawe: ntimushoke muhagarikwa umutima canke ngo muterwe ubwoba n'ijambo bitirira Mutima canke n'ijambo canke n'ikete batwitira ryemeza ko umunsi w'Umukama uri mu gushika.

## Inkuru nziza: *Luka : 19,1– 10*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Imana yarakunze isi gushika itange Umwana wayo w'ikinege; uwumwemeye wese arafise ubuzima budahera.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

(*Uguhinduka kwa Zake umukuru w'abatozakori*)

Umunsi umwe, Yezu yinjiye i Yeriko, aca mu gisagara hagati. hakaba hari umuntu yitwa zake; yari umukuru w'abatozakori kandi yari atunze. Yama yipfuza kubona Yezu uwari we, ariko ntiyabishobora kubera ishengero ryari ryinshi cane, na we akaba mugufi., arirukanga, aja imbere, yurira igiti, kugira ngo ashobore kumubona, kuko ari yo nzira yajana. Yezu, ahashitse, ararangamira, aramubona, ati: "Zake, ururuka ningoga, kuko uyu munsi ndamutse ndara iwawe." Na we aca arururuka, amwakirana akanyamuneza.

Abariho ngo babibone, baja mu vyo kwidodomba bose, bati: "Ehe, agiye kurarira umuntu w'umunyabicumuro." Zake rero arahagarara, abwira Umukama ati: "Mukama, ng'ivyo ivyanje: ngiye kubicamwo kubiri, igice kimwe ndagihe abarushwa; ni haba hari uwo nanyanganije, ndamusubize ibiruta kane ivyo namutwaye." Niho rero Yezu yavuga ati: "Uyu munsi, urukiza rwashitse muri iyi nzu, kuko n'uyu abaye umwana wa Ibrahimu. Nakare, Umwana w'umuntu yaje kurondera n'ugukiza ivyari vyazimiye."

---

## Amahadabu atangishwa abarenga amategeko agenga isuku n'isukura

*Ingingo ya 2:*

*Ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ibihumbi bitanu (5000BIF), uwo wese yitumye yaba umwanda mutoyi canke mukuru, ahatari mu bibanza vyabigenewe; canke ataye impapuro, ibitekezo vya parasitike canke iyindi myanda; aciriye mu bibanza bihuriramwo abantu benshi canke mu miduga yunguruza abantu.*

*Iryo hadabu nyene ritangishwa abantu barekuriye amazi bakoresheje canke yo mu gikoni mu miserege nbo mu bibanza bigenewe bose.*

*Ingingo ya 3:*

*Ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ibihumbi ijana (100.000BIF), uwo wese yimbiye amazirantoke, ashize imicafu, ibisigarira vy'ivyuma, ibijanja hamwe n'ivyabomowe, arekurira amazi yo mu kazu ka sugumwe; ibigirisi n'amavuta ava mu moteri, ataye ibikoko vyapfuye n'imyanda y'ubwoko bwose muu migende canke mw'ibararabara rigenewe bose, mu matongo y'abantu canke ayatari ay'abantu yo mu bisagara, ku nkengera z'inzuzi, mu bidengeri, mu nzuzi, mu biyaga npo mu bitanga.*

# Ku ncuro igira 32, Uburundi bwaraye bwibutse igandagurwa rwa Prezida Melekiori Ndadaye

*(Bitangurira ku rup.1)*

yaboneyeho no kuremesha igihugu cose agira ati: « Naho twabuze, twabuze umugabo w'ijunja n'ijambo, intwari idasanzwe kuko yari yahisemwo kujabutsa igihugu c'Uburundi ngo dutere intambwe ; bamwe babona ko kuvyiyumvira vyo nyene zoba ari za nzozi zicurira».

Musenyeri Gervazi Banshimiyubusa yabandanije avuga ko « Iragi yasize rya demokarasi ari ngirakamoro, ntihagire abarideha, ati kumbure tworiteza imbere ryodushikana ku mahoro no kw'iterambere nyaryo.

Kuko iteka rya zina muntu wese ryubahirijwe, rigatezwa imbere, ibibonetse vyose bigasangirwa mu mahoro, kandi bigakwira hose, amahoro aba yiganje. Akarenganyo, ugukengerana bihava bikavyara ugukumirana, ni vyo nkwezi y'amabi yose aheza agakurikira ».

Mu kubandanya azirikanisha abari aho ijambo ry'Imana, Musenyeri Gervazi Banshimiyubusa yaribukije ko « abantu turi ba magiriranire, ko dusangiye ugupfa n'ugukira, turabwirijwe kwama tuzirikana ko ico dukoze kitazanira ingaruka gusa uwugikoze, mugabo kigira ingaruka no ku bandi mbere no ku gihugu cose, no kw'isi yose.

Ni co gituma tuba dukwiye kubanza kubaza umutima mu vyo dukora vyose kuko ikibi ico ari co cose cama gikwega ingaruka mbi mbere n'urupfu, haba ku wagikoze canke ku bandi, haba muri ico gihe nyene, canke muri kazoza.

Nta kibi cijana. Ugukora ikibi canke ukudakora ineza wabwirizwa gukora, birateba bigasuka mu kaga abantu n'igihugu».

Yarangije inyigisho yiwe yibutsa ko Imana itashimye kutwugaranira mu kibi twarimwo, yaratwuguruririye amarembo y'uko tuyikundiye ishobora gutuma ineza ariyo iganza inabi. Ariko rero bisaba kuri twese ko tubanza kwemera ko ikibi gikozwe kiguma ari ikibi ku bagikoze abari bob ose.

Kugira ngo dushobore kukigwanya muri twebwe no mu nyifato y'abandi, tutaramenya ko ikibi ari kibi, tutabanje kuraba ngo ko cakozwe na barya canke na bariyo ngo si ikibi, tutarashika ngaho, ntidushobora kugaya ikibi kandi ntidushobora kukigwanya muri twebwe canke mu bandi.

Ko tuza turaza kunegura abagandaguye incugu z'Uburundi, ni tubonereho akaryo ko kwirinda uburyo bwose bwo kugandagura abandi haba mu vya politike haba mu vy'urudandazwa haba mu vy'imibano no mu bindi.

Burya turashobora kugandagurana no mu majambo. Hari ugutyozanya kunganya ububi no kugandagurana.

Hari ugukumirana kunganya ububi no kugandagura abandi. N'ayandi mabi asa n'ayo.

Nitwemerere Imana ko tugiye kuvavanura n'uburyo bwose bwo kugandagurana. Niho tuzoba turiko turashira mu ngiro inyigisho y'Imana idutumirira kwamana urukundo rwa Kristu yadupfiriye akazuka, rukama rutuboneshereza kugira ngo natwe twame tuboneshereza abakiri mu bikorwa vy'umuzimagiza vya sekibi : vya bikorwa vy'ububisha vy'uburyarya n'ivyurwangara bikorwa muri iyi si bishobora kuduteza isoni twebwe abemera Imana. Umwe wese, mu mabanga arimwo, mu vyo ajejwe, akore ico ashobora ngo urwamfu rwoye guhava rwibonekeza nk'ururuta ingano.

Vyongeye, tugomba kuba mu kuri, kuri uyu munsi dusabira incungu ya demokarasi, niba twemera ko demokarasi ari iragi ryiza, dusabe ngo muri iki gihugu tubandanye duteza imbere ubwo buryo bw'ugutwara wubaha kandi wubahiriza iteka rya zina muntu, gutyo dushobore kwubaka bwa Burundi bushasha kandi bushajije nkuko Prezida Melekiori Ndadaye n'abo bari kumwe babwipfuza, aho zina muturagihugu wese yiyumva ko ari iwe muri iki gihugu cacu, akabaho ata wandya wa ngura, niho tuzoba twerekanye vy'ukuri ko twemera, dusonera kandi tugomba guteza imbere iragi prezida Ndadaye ya-dusigaranye ».

Inkuka y'imisa irangiye, ibirori vyabandanirije ahashinguwe Prezida Melekiori Ndadaye n'abo bari kumwe, aho abatumire baciye bashira amashurwe ku ntatemwa zabo.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ijambo Prezida Melekiori Ndadaye yashikirije umunsi yashika ku ntebe y'Umukuru w'igihugu

Barundi,
Barundikazi,

Uburundi bushasha mwaraye mutoye, bugiye kurangwa n'iki ?

**1. Ubwa mbere amahoro kuri bose.**

Nkuko mubizi, mu myaka iheze, igihugu cacu caraguye mw'isanganya akatari gake, umubabaro abarundi bagize wabahaye umutima wo gukunda amahoro kurusha.

Koko, biraboneka, ko abarundi munyotewe amahoro, amahoro mu gihugu canyu, amahoro mu makomine yanyu, amahoro mu mitima yanyu, amahoro mu ngo zanyu.

*Ibik. urup.4*

# Ku ncuro igira 32, Uburundi bwaraye bwibutse igandagurwa rwa Prezida Melekiori Ndadaye

(Bitangurira ku rup.1


Amafoto yo mu bubiko

Ayo mahoro tunyotewe twese, tugiye kuyaharanira twivuye inyuma.

Uwuzoza ashaka kutwononera umutekano, uwo ari we wese, naho azoba yitwaje iki, azomenye ko azosanga Abarundi imiliyoni n'imiliyoni bahagaze bwuma, baharanira ayo mahoro... baharanira ayo amahoro twarwaniye kandi twaraye dutsindiye.

**2. Ubwa kabiri: Uburundi bushasha bugiye kurangwa n'ukubahiriza agateka ka zina muntu mu bice vyose kandi kuri bose.**

Guturubika umuntu, gutabagaza ubuzima bwiwe, canke kubuzimanganya, gufungira abantu ubusa, canke kubafunga bitajanye n'amategeko, kutubaha umuntu ngo nuko atifise, ivyo vyose bikaba biranga intwaro z'agahotoro, tugiye kubisezerera muri iyi ntwaro y'Uburundi bushasha.

**3. Ubwa gatatu: Uburundi bushasha bugiye kurangwa n'ubumwe nyakuri mu Burundi.**

Kubera ko ubumwe bw'abarundi bwagiye bubangamirwa n'ingendo y'akarenganyo, iyo gukumirana, iyo kutubahana, tugiye gukosora iyo ngendo mu gushira imbere ivyo tuzokora vyose, ubutungane kuri bose, mu kwitwararika isabikanya ry'itunga ry'igihugu ku bantu bose, bo mu bwoko bwose, bo mu ntara zose, mu gushira imbere ukungana kw'abanyagihugu imbere y'amategeko, ntihagire uwitwaza itunga canke amamuko ngo akandamize abandi.

**4. Uburundi bushasha bugiye kurangwa n'ukwishira n'ukwizana kuri bose.**

Uko kwishira n'ukwizana kuzobonekera mu mwidegemvyo w'abanyagihugu, mu nyifato ya demokrasi muri vyose, abantu barongorwe n'abo bitoreye, kuva hasi gushika hejuru, abantu baserure ivyiyumviro vyabo ata nkomanzi.

**5. Uburundi bushasha bugiye kurangwa n'ingendo yo gushira imbere ibikorwa.**

Mu Burundi, tugira Imana, dufise abanyagihugu bakunda ibikorwa. Uwo mutima wo gukunda ibikorwa, tuzowushigikira kugira ngo tugwize umwimbu muri vyose, turonke ivyo dufungura, n'ivyo dushora mu masoko.

Gushira imbere ibikorwa, ntibiraba abakoresha isuka gusa, biraba abarundi bose, abarimyi, aborozi, abanyakazi b'amasosiyete, abakozi ba leta, abadandaza, abahingura utugenegene.

Dusavye umw'umwe mu bimwerekeye, gukura amaboko mu mpuzu, du-higanwe turushanya umwete wo gukora, gutyo tuvane igihugu cacu mu bukene, dushikire ya majambere azodukomereza iyi ntwaro ya demokrasi kuko na kare ngo "Mu nda hahara inzara hakazinduka inzigo", iyo nzigo nayo ikaba ari yo nkwezi y'induru.

**6. Uburundi bushasha bugiye kurangwa n'ugusabikanya itunga ry'igihugu.**

Ni ukuvuga ko duhakanye ingendo zahitiye zo kwigungirako, zo gukumirana, ari ivyerekeye itunga ry'igihugu, ari ivyerekeye imigambi y'iterambere, ari ivyerekeye amashure, amavuriro, ari ivyerekeye akazi mu bisata vyose, abarundi dutegerezwa kubisabikanya mu ntara zose, mu moko yose, mu bantu bose, kugira ngo umuntu wese aronke ico cose afitiye uburenganzira, ata wandya wangura.

**7. Uburundi bushasha bugiye kurangwa n'umwitwarariko uhagije, mu gutunganya no mu kubungabunga ivya Reta.**

Abazoba bajejwe akazi ka Reta, bazocungwa ijisho n'abanyagihugu kugira ngo bakorane ubwira akazi bajejwe; itunga rya Reta ntirisesagurwe canke ngo rinyuruzwe.

Uwuzokorakora mw'itunga ry'igihugu, uwuzorisesagura, azoba ahemukiye abanyagihugu, azoba ahemukiye uburundi bushasha, nawe abanyagihugu ntibazomubabarira.

Barundi
Barundikazi,

Mu mezi atandatu ari imbere, tuzokwitwararika gutunganya ibikorwa bikurikira :

1. Mu maguru masha tugiye gutegura itegeko ryo kugirira ikigongwe abapfunzwe imbere y'itarike 1 y'ukwezi kwa gatandatu 1993, ari abapfungiwe politike,

Ibik. urup.9

Chanel HARINGANJI

# Ivyimburwa ni vyinshi, abakozi bakaba bake

*(Matayo 9:37)*

(Bitangurira ku rup.1

w'ababikira b'iramukanya rya Bikira Mariya (abavisitandine) bo muri Monasteriyo y'i Gitega, aho ku wa 18 Gitugutu 2025 bari baramukanye indagano za mbere, izaburundu hamwe n'abagira yubile y'imyaka 25 bazigamye iryo banga.

Ivyo birori vyose vyataNguwe n'Inkuka y'imisa yabereye mu gasengero k'uwo muryango irongowe na nyenicubahiro Musenyeri Simoni Ntamwana inararibonye yahoze arongoye diyoseze nkuru ya Gitega.

Imbere y'uko yitsa Ijambo ry'Imana, yabanje guhamagara umwumwe mw'izina ryiwe abagire bashikirize Imana indagano zabo za mbere. Abo nabo ni:

Mama Ange Mariya Clarisse Ingabire avuka muri paruwase Mushasha diyoseze Gitega, Mama Mariya Ines Michelle Kaneza avuka muri paruwase Kiguhu diyoseze Rutana, Mama mariya Efraziya Ndayikeza avuka muri paruwase Gatara diyoseze Ngozi na Mama Ange Mariya Sandrine Iteriteka avuka muri paruwase Kiguhu diyoseze Rutana.

Ayo mazina twanditse, harimwo ayo bari basanzwe bitwa hamwe n'ayandi baronka bahejeje gushikiriza indagano.

Bamaze gushikiriza ico basaba Umukama na Ekleziya, Umwungere yaciye yitsa Ijambo ry'Imana. Ahejeje, baciye bashikiriza Imana indagano zabo za mbere baca bambikwa umwambaro.

*Haciye hakurikira abagira indagano za burundu.*

*Abo nabo ni:*

Mama Mariya Batista Kanani avuka muri paruwase Mpinga diyoseze Rutana, Mama Mariya Annociata wa Yezu Nshimirimana avuka muri paruwase Mbogora diyoseze Gitega, Mama Mariya Louise Mukandutiye avuka muri paruwase Bugwana diyoseze Muyinga.

Abambitswe urugori rwa yubile y'imyaka 25 irangiye bazigamye iryo banga ni: Mama Triphonia Mariya Nibimpa avuka muri paruwase Munanira diyoseze Buju-mbura na Mama Jeanne Mariya Ndikumana avuka muri paruwase Makebuko diyoseze Gitega.

Inkuka y'imisa imaze kurangira, Mama Mariya Imakurata Niyinzigama arongoye umubano w'abo babikira i Gitega,


Foto: Chanel HARINGANJI

yaramenyesheje abavyeyi b'abigeme bari bahejeje kwinjira muri uwo muryango ko bagiye kwiyegurira Imana mu kwama mu kigo, bakama mu bunywanyi bushitse n'Imana, bakirinda ibibasamaza mukwicisha bugufi no kwiyorosha kugira bashobore gukorera Imana atamyitwarariko myishi bafise.

Ni muri iyo ntumbero umubikira w'iramukanya rya Bikira Mariya ategerezwa kwama mu bisabisho vya misi yose no mubikorwa vy'amaboko kugira bashobore kwiyegurira iyo Mana vyukuri. Aratera akamo abigeme bagitohoza umuhamago wabo, kugira bitabe ijwi ry'Imana ribahamagarira kuyihebera kuko ivyimburwa ni vyinshi, abakozi bakaba bake mu murima wayo.

Mama Mariya wa Yezu Nshimirimana yari ahejeje kugira indagano za burundu,


Foto: Chanel HARINGANJI

avuga ko mu gihe ivyoba vyaramugoye arivyo vyamubereye uburyo bwiza bwo kubana n'Imana kandi bikaba ari navyo vyamukomeje kugira ashobore gushika kuri iyo ntambwe, asaba batoya biwe bari bahejeje gutera intambwe ko ibanga barimwo ari iryo kubangira ingata, bakama bizigiye Imana mu kuyitura imisi yose, nkako batarikumwe ntaco bokwishoboza.

Musenyeri Simoni Ntwamwana mw'ijambo ryiwe, yararemesheje anabahamagarira gukundisha benshi uwo muhamagaro mukubabwira ati : "Muri icigwa gikomeye kuko mwabereye akarorero benshi muri kahise k'igihugu cacu.


Foto: Chanel HARINGANJI

Mu gisabisho cacu, dusaba ko mu mihamaga-ro turiko turagerageza gushira mu bantu, hoboneka benshi batubera nka mwebwe babikira b'iramukanya rya Bikira Mariya baguma batwibutsa ko uwunywaye n'Imana vyukuri aheza akaba n'umunywanyi w'abantu.

Tubamenyeshe ko uwo muryango w'ababikira b'iramukanya rya Bikira Mariya (abavisitandine) watangujwe na Musenyeri Fransisko w'i Salezi Mweranda mu mwaka w'1610, uvukira muri Annecy mu Bufaransa.

Aha mu Burundi washikiye mu Kibumbu mu 1966, mu 1967 uca wimukira i Gitega.

Umaze gushinga imizi mu ntara 5 ari zo Gitega, Kirundo, Ruyigi, Makamba na Rutana.

Abo babibkira b'iramukanya rya Bikira Mariya bakaba basanzwe bahimbaza umuvunyi ku wa 31 Rusama uko umwaka utashe.

**Chanel HARINGANJI**

# Iyugururwa rya Yubile y'imyaka 100 mu muryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt

Kuwa gatandatu igenekerezo rya 18 Gitugutu 2025, umuhari wa Schoenstatt wari uramu-tse uhimbaza imyaka 111 iheze utangujwe na Patiri Yozefu Kentenich.

Uyo munsi ukaba kandi wahuriranye n'umusi mukuru wa Luka mweranda, Umwanditsi w'Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

Kari akanyamuneza kadasanzwe k'umuryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt ng'aha mu Burundi, aho bugurura icese umwaka wa Yubile y'imyaka ijana uwo muryango umaze uvutse kw'isi yose.

Inkuka ya Misa yabereye kumusozi wa Siyoni Gi-kungu i Bujumbura igihe c'isaha zitanu irongowe n'Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa.

Mw'ijambo ry'ikaze rya Patiri Hermenegilde Coyitungiye, arongoye urwengo nyobozi rw'umuryango wa Schoenstatt mu Burundi yarakiriye abaraho bose yongera akengurukira abaserukira abandi mu bisata bitandukanye vy'umuhari w'ubutumwa wa Schoenstatt baje mw'ihwaniro bava mu ma Diyoseze yose y'Uburundi ngo barimbure umwaka w'ubutumwa wa 2025 baheze batore ikindi civugo kizobarongora mu butumwa muri iyi myaka 3 iri mbere.



Ico civugo na co ni iki : **Mu nsezerano y'urukundo, tube ibikoresho vya Bikira Mariya muguharanira ubweranda bwa misi yose**.

Yarahejeje arashikiriza abakristu bose ingabire idasanzwe y'indurujensiya ya rwose Umuvyeyi wacu Nyenubweranda Papa Léon wa XIV yagabiye udusengero twose tw'umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt muri uyu mwaka wa yubile.

Yaratangaje ko abazohagendera bavyiteguriye bakagira ibisabwa n'Ekleziya bazoronka iyo ndurujensiya ya rwose.

Na vyo nibi : Kuvavanura rwose n'igicumuro icari cose be n'igicumuro gitoyi, uguhabwa isakramentu ry'ikigongwe, ukuronka ukaristiya hamwe n'ugusaba kugira ngo ivyipfuzo vya Papa biranguke mukuvuga igisabisho ca Dawe wa twese, ukugaragaza ukwemera mu kuvuga igisabisho ca ndemeye, hamwe n'ukwambaza Umuvyeyi wacu Bikira Mariya Umugabekazi w'amahoro n'Umuvyeyi w'ikigongwe.

Ukuronka indurujensiya na kwo kukaba kwatanguranye n'igenekerezo rya 1 Gitugutu 2025 bikazorangira kw'igenekerezo rya 4 Munyonyo 2026.

Ng'aha mu Burundi, aho turonkera ivyo vyiza ni aho umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt basanzwe baba : Mu gasengero ka Mawe atangaririrwa gatatu, kari ku kirimba c'Umwamikazi w'amizero i Mutumba muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, mu kigo c'Umwamikazi w'Amizero ku musozi wa Siyoni i Gikungu hamwe no mu gasengero k'umubano i Muyinga (Mukoni-Kiziba).

Mu kwitsa Ijambo ry'I-mana, Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa yarakeje yongera ahamagarira abari baramukanye urubanza rwa yubile kuba muri yubile ku musi ku musi nkuko abanyisraëli babigira mu gusubira kw'isoko ati: «Umwaka wa Yubile ni umwaka udasanzwe w'Umukama, umwaka w'ugukenguruka ivyiza Imana iduha ku musi ku musi ».

Yaratumiriye kandi abaraho kugira umutima w'urukundo, kwengengana n'ugusabana ikigongwe, umwe wese ntiyigire sindabibazwa mukw'ubaka iparadiso aho abaye.

Twobibutsa ko umuryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt bashitse ng'aha mu Burundi mu mwaka w'1962 bashikira i Mutumba ku cipfuzo ca Nyakwubahwa Musenyeri Mikaheri Ntuyahaga yaramutswa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura ico gihe.

Kuronka ikirimba ca Bikira Mariya muri Diyoseze yiwe wabaye umwitwarariko wiwe kuko yagishaka gisa n'ico yabonye i Schoenstatt mu gihugu c'Ubudagi.

Bamaze gushika ico kirimba nticatevye kuvuka inyuma y'imyaka 2 gusa niho hahezagirwa agasengero k'Umwami-kazi w'amizero i Mutumba mu 1964, gushika n'ubu abakristu benshi baguma bagira ingendo nyeranda bagana ico kirimba.

Uyu mwaka wa yubile kandi ngaha mu Burundi uzosozerwa kw'igenekerezo rya 20 Kigarama 2026 kuri ico kirimba nyene i Mutumba.

*Mama Marie Christiane Manirambona*

# MUREMERA: Ihimbazwa ry'isabukuru y'ubutungane n'amahoro



Ku munsi w'umukama igenekerezo rya 12 Gitugutu 2025, muri Paruwasi Muvyeyi w'Ikigongwe ya MUREMERA, habaye ihimbazwa ry'isabukuru y'ubutungane n'amahoro ku rwego rwa paruwasi ku civugo kivuga kiti: «UKUVUGANA UKURI, UKUREKURIRANIRA, N'ISOKO RY'IKIBANO CIZA».

Ivyo birori vyari vyatewe iteka n'umunyamabanga nshingwabikorwa wa SOPRAD-CARITAS RUYIGI, Patiri NDAYITABAJE Gédéon.

Ibirori vy'uyo munsi vyatangujwe n'inkuka ya misa ya kabiri yatanguye igihe c'isaha zine n'inusu irongōwe n'umuherezankuka Padiri NDAYITABAJE Gédéon.

Mu nyigisho yiwe yisunze ibisomwa vyashwabuwe mu gitabu ca kabiri c'Abami (5, 14-17), muri Timote (2, 8-13) no muri Luka (17, 11-19), yarashimangiye cane akamaro ko guteza imbere umuco w'ukuri: ati ukuri gukomeza urukundo, ubumwe n'iterambere.

Mu bakundanye, mu bubakanye, mu kibano, ... hategerezwa kurangwa ukuvugana ukuri muri vyose.

Uwipfuza amahoro mu mutima no mu bo babana, ategerezwa kugendera ukuri hose no muri vyose.

Ivyo birori vyasozerewe n'ugusangira agatutu mu rukundo ntangere hagati y'abitavye.

Muri ivyo birori, haratanzwe amajambo ajanye n'uwo munsi, aho twovuga nk'umuhuzabikorwa w'Igisata c'ubutungane n'amahoro ku rwego rwa paruwasi, Padiri mukuru wa Paruwasi Muremera hamwe n'umunyamabanga nshingwabikorwa wa SOPRAD-CARITAS RUYIGI.

Amajambo yose yashikirijwe yibanze ku kuri nk'ishingiro ry'Ikigongwe, Ukunywanisha n'Amahoro.

Mwomenya ko kuri uyo munsi nyene ariho hari haramutse hinjizwa icese mu muryango w'abemera abakatekumeni bariko bitegurira kuronka ibatisimu.“Ukuri kwonyene ni kwo kuzodufasha kuba abigenga” (Yohani 8, 32).



*Bamwe muri bahejeje gukurikirana inyigisho z'amahoro no gusubiza hamwe baciye bicara barivuna umusase*

**Filipo Muhanuka**

# Ikiza ca Korera kirabangamiye abanyagihugu



Abantu barenga 600 bara maze kwandura ikiza c'indwara ya korera mu kiringo c'indwi zitatu gusa mu Burundi. Kubera ivyo bitigiri vy'umurengera vy'abaguma bandura indwara ya korera cane cane mu ntara ya Bujumbura, ku wa gatatu igenekerezo rya 22 Gitugutu hari hatungujwe isekeza ryo kugwanya ico kiza.

Nkuko vyemezwa bishikirizwa n'Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu, ico kiza kikaba kibandanya ciyongera. Kuva mu kwezi kwa nzero gushika muri nyakanga umwaka w'2025, ibitigiri vy'abamaze kwandura iyo ndwara mu gihugu bishika ku 2067. Mu kwezi kwa gitugutu kwo nyene, mu ndwi zitatu zonyene, ku wa 27 gitugutu, abantu banduye ico kiza ca « korera » bashika 638.

Kubera ubwinshi bw'abariko bafatwa n'ico kiza, cane cane mu ntara ya Bujumbura, Muganga Liliyana Nkengurutse arongoye igisata kijejwe kugwanya indwara z'ivyaduka mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu, yamenyesheje ko hagiye kwongerezwa ibigo bivurigwamwo abanduye ico kiza, kugira ngo bize birafasha kwakira abo bagwayi ba korera. Aho naho ni mu Rubirizi. Kandi ngo bariko bararaba ingene no mu Buterere hokwugururwa bene ivyo bitaro.

Iryo sekeza ryo kugwanya ico kiza ca korera ryari sekeza ryateguwe n'urwego rw'Umutambukanyi w'Umukuru w'igihugu bifatikanije n'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu hamwe n'ikigo ca Afrika kijejwe amagara y'abantu Afrique CDC.

Mw'ijambo yashikirije, Umutambukanyi w'Umukuru w'igihugu Angeline Ndayishimiye yibukije ko umunyagihugu wese afise uruhara muri urwo rugamba rwo kugwanya ico kiza. Ati: «Uru rugamba rero, si urw'abaganga gusa, ni urwacu twese abarundi. Reka rero duhagurukire rimwe twese tugwanye ico kiza ca korera, kuko amagara meza ni itunga ku gihugu, isuku ni inzira yo kurinda amagara yacu.

Korera ntivurirwa kwa Rumenyi canke mu vyumba vy'amasengesho kiretse kwa muganga gusa. Dusavye kandi abajejwe intwaro gukurikirana ibibanza bihuriramwo abantu benshi kugirango bigumane isuku rikwiye na cane cane mu tuzu twa surwumwe.

Umutambukanyi w'Umukuru w'igihugu yasavye Abarundi gukurikiza amabwirizwa y'isuku, agasaba abadandaza ibiribwa na cane cane uburobe kwitwararika isuku cane kuko bufungurwa budatetswe kandi butaronzwe.

Ahanura abarekurira imyanda yo mu tuzu twa surwumwe mu miserege kuvavanura n'iyo ngendo. Yasavye abenegihugu kumenyesha abajejwe intwaro aho umurwayi yavuye kugira hace hapompwa.

Yibukije ko umugambi «zero déchets» washizweho mu kwirinda ingwara zose ziva kw'isuku rike.

Yasavye urwaruka rwari rwitavye izo nyigisho kuba abaserukizi beza, baje kuzimenyesha abandi kandi na bo nyene biteho isuku no ku mashure bigamwo.

Ariko rero, naho hatunganijwe iryo sekeza ryo kugwanya ico kiza ca korera, Buramatari w'intara ya bujumbura, Aloyizi Ndayikengurukiye, yamenyesheje ko, mu gihe hakiri ikibazo gikomeye c'ikena ry'amazi meza, hamwe n'ubukene bw'utuzu twa surwumwe, mu banyagihugu, bitazokunda ko bashika kuri iryo hangiro ryo kurandurana n'imizi mu burundi ico kiza.

Uwo arongoye iyo ntara amenyesheje ko mu ntumbero yo kwikingira iyo ndwara bibujijwe guhana amaboko mu kuramukanya, indamutso y'amahoro yo nyene irahagije bigasabwa kandi ko urugo rwose rukwiye gutegekanya amazi meza n'isabuni yo gukaraba bakagira n'akazu ka sugumwe gakwije amategeko. Ivyo kandi bisabwa no mu bibazo bitandukanye nko mu bubare, mu masoko n'ahandi.

Abazofatwa barekuriye imyanda mu mi furege no mu bindi bibanza bishobora kwanduza abantu bazohanwa hisunzwe amategeko.

Tubamenyeshe ko amakomine abangamiwe gusumba ayandi mu ntara ya Bujumbura ari Ntahangwa, Cibitoke, Isare, Mpanda, Mugere n'amakomine ya Rumonge na Makamba yo mu ntara ya Burunga.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ku ncuro igira 32, Uburundi bwaraye bwibutse igandagurwa rwa Prezida Melekiori Ndadaye

(Bitangurira ku rup. 4

ari abafungiwe ibindi vyaha, kugira ngo abo benewacu nabo bave mu mvuto, baze kudufasha kwubaka Uburundi bushasha.

Dusavye abarundi bose kuzohakura akarorero ko kurekurira umw'umwe wese muri abo bamugiriye nabi kugira ngo dutangure Uburundi bushasha, dufise imitima mishasha, imitima yera de !

2. **Ubwa kabiri**,: Tugiye kwitegurira bikwiye itahuka ry'abarundi. Turazi ko benshi mu barundi bari hanze, bariko baritegurira gutaha.

Mu maguru masha tugiye kurungika intumwa duhana imbibe n'iburaya kugira ngo dutohoze neza abashaka gutaha uko bangana, dutohoze neza ivyo bakeneye, hanyuma izo ntumwa zigarutse, tuzoca dukoranya inama y'amashirahamwe asanzwe aterera muri ico gikorwa hamwe n'abazo-ba baserukiye Reta kugira ngo twegeranye uburyo bukwiye bwo kwakira abahunguka.

3. **Ubwa gatatu**: Mu maguru masha, Ubushikiranganji bwose buzokwiga politike y'ibitegerezwa kurangurwa muri ubwo bushikiranganji.

Iyo politike nshasha izotegerezwa kuzokurikiza i programme ya FRODEBU n'ivyiyumviro nyamukuru twashikirije abarundi igihe twariko turahiganirwa kurongora Uburundi.

4. **Ubwa kane**: Tuzobandanya gutegura ivyerekeye amatora ya bamusitanteri hamwe n'ay'abashingantahe barongoye imitumba.

Ni co gituma, ibwirizwa rigenga amakomine rizotegerezwa kwigwa n'Inama Nshingamateka, ku buryo baronka muri iryo, uburyo burashe bwo kwitorera ababarongora mu makomine biciye mu mahiganwa y'abitoreza ibibanza vyo kurongora imitumba, amakartiye n'amakomine.

5. **Ubwa gatanu**: Reta izokwihutira gusubiramwo iringanizwa rya wa mugambi ugira gatandatu utegekanya ingene imigambi y'iterambere izorangurwa.

Nkako, uyo mugambi ugira gatandatu wari waringanijwe n'iyi Reta itubishije, yisunze ivyiyumviro vy'umugambwe watwara ico gihe.

Dutegerezwa rero gusubiramwo uwo mugambi twisunze i programme y'umugambwe SAHWANYA FRODEBU.

6. **Ubwa gatandatu**: Tuzokwihutira gutegekanya ukundi gusha ingene amafaranga ya Reta ategerezwa gukoreshwa.

Ni na co gituma tuzogiriranira ibiganiro hamwe n'abaserukira ca kigega c'amafaranga mpuzamakungu, hamwe n'ibanki y'isi yose, kugira ngo twumvikane ku mfashanyo n'ingurane igihugu cacu kironka, n'uburyo ayo mafaranga ategerezwa gukoreshwa. Muri ivyo vyose, tuzoshira imbere ico cose gishobora kugirira akamaro igihugu cacu, na cane cane ivyerekeye guteza imbere ubutunzi.

7. **Ubw'indwi**: Mu minsi iri mbere tuzotegura twongere turemeshe ibiganiro mu makomine, ku mitumba, mu makartiye, mu makambi y'abasoda. Ivyo biganiro bizoba bifatiye ku ngendo n'inyifato nshasha bitegerezwa kuranga abarundi muri ubu Burundi bushasha.

Iyo ngendo n'iyo nyifato bikaba ari ibi : gusonera agateka ka zina muntu, guharanira no kubungabunga amahoro, kwubahana, kwihanganirana, gukunda ibikorwa, n'ugushira imbere ubwira n'ubukerebutsi, gushira imbere ubutungane muri vyose no kuri bose, kwigiza kure ico cose gitandukanya abantu, kikababuza kwihanganirana biciye mu moko, ku ntara ku miryango, ku madini n'ibindi.

Iyo ngendo n'iyo nyifato nshasha, bizotegerezwa kwigishwa mu mashure yose, kuva ku ntango gushika muri kaminuza.

Barundi,
Barundikazi,

Uburundi bushasha twinjiyemwo ni ubwa bose, nta nyagupfa nta nyagukira.

Twese dutegerezwa kubugwanira, twese dutegerezwa kububungabunga, twese dutegerezwa kubwubaka, nabwo butegerezwa kutubera icugamo c'amahoro n'iterambere kuri bose.

Turasavye rero ntihagire n'umwe yikumira, ntihagire n'umwe yigira sindabibazwa.

Twese tugire urunani rw'intamenwa, maze demokrasi ivyagire mu gihugu, abarundi bishire bizane, batunge batunganirwe, tuzohore twiyaga umugani amabi yari yarakongataje abarundi kuva tukironka intahe y'ukwikukira.

Ndangije ndabifuriza amahoro, amahoro mu mitima yanyu, amahoro mu ngo zanyu, amahoro mu gihugu cacu, Imana iduhezagirire abarundi n'uburundi

Murakoze.

Tubamenyeshe ko ivyo birori vyari vyitabwe n'abanyecubahiro batari bake, uhereye ku mukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye n'umuta-mbukanyi wiwe, Umushikiranganji wa mbere, abashikiranganji ba Reta y'Uburundi, abashingamateka n'abakenguzamateka, Umutambukanyi w'Umuhisi Prezida Melekiori Ndadaye n'umuryango wa politike wiwe hamwe n'aserukiye ibihugu vyabo mu Burundi.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Uburenganzira bwa kiremwa muntu n'aho bugarukira

Kiremwa muntu wese arafise uburenganzira butandukanye. Ubwo burenganzira burashobora gushingirwa akarimbi hakurikijwe amategeko ashinzwe n'inzego zibijejwe kandi zishingiye ku ntwaro rusangi.

Imvo zifatirwako kugira ngo hashingwe akarimbi ku burenganzira bwa muntu ziri mu mirwi itatu :

* Izitegekanijwe n'amasezerano yerekeye agateka ka zina muntu canke amategeko y'ibihugu ;

* Izivuye ku bihe bimwe bimwe igihugu kimwe kimwe ukwaco kiba kirimwo

* Hamwe n'izijanye n'ivyo umuntu wese n'umwenegihugu bategerezwa gukora.

N'aho uburenganzira bushobora gushingirwa akarimbi, ntitwokwirengagiza kuvuga ko hari n'uburenganzira ntakorwako budashobora gushingirwa akarimbi no mu gihe igihugu coba kiri mu bihe bidasanzwe bibangamiye ukubaho kwaco.

**I. Imvo zitegekanijwe n'amasezerano mpuzamakubngu canke amategeko y'ibihugu.**

Izo mvo zitegerezwa kuba zishingiye ku mahangiro abiri nyamukuru: ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi hamwe n'ukwubahiriza inyungu rusangi z'igihugu.

*I.1. Ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi.*

Umuntu wese arafise uburenganzira butandukanye ariko ategerezwa no kwubahiriza uburenganzira bw'abandi. Ntawushobora kwishimikiza uburenganzira afise kugira ahonyange ubw'abandi.

Bitegekanijwe mu ngingo ya 29 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, aho itegekanya mu gace kayo ka 2 ko ata muntu n'umwe ashobora kwitwaza uburenganzira bwiwe mu guhungabanya uburenganzira bw'abandi, gurtyoza imico n' imigenzo, canke mu guhungabanya umutekano n'ineza biranga intwaro rusangi.

Ingingo ya 27 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu nayo nyene ivuga mu gace kayo ka 2, ko amateka n'uburenganzira bw'umuntu wese bukoreshwa mu kwubaha n'ukubahiriza agateka k'uwundi muntu, mu gukingira umutekano, imico n'ineza ya bose.

*I.2. Ukwubahiriza inyungu rusangi z'igihugu .*

Nk'uko duhejeje kubibona, umuntu arafise uburenganzira ariko burashobora gushingirwa akarimbi kugira bubahirize agateka k'abandi. N'igihe hageze kubahiriza inyungu z'igihugu uburenganzira bw'umuntu burashobora gushingirwa akarimbi.

Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, ingingo ya 21 ivuga ko uburenganzira bwo gukorana mu nama y'amahoro bwemewe.

Nta na kimwe gishobora gushingira akarimbi ubwo burenganzira atari ivyategekanijwe n'amategeko kandi bikenewe mu ntwaro rusangi, ku bw'ineza y'umutekano mu gihugu, canke mu bikenewe kugira bakingire uburenganzira n'umwidegemvyo vya muntu.

N'itangazo mpuzamakungu y'agateka ka zina muntu riragaruka ku mvo zubahiriza umuntu ariko zishimikira cane ku kwubahiriza inyungu z'igihugu.

**II. Imvo zivuye ku bihe bidasanzwe igihugu kimwe kimwe kiba kirimwo**

Igihugu kimwe kimwe ukwaco kirashobora gufata ingingo zishinga akarimbi ku burenganzira bumwe bumwe bwa kiremwa muntu bivanye n'ibihe bidasanzwe igihugu kiba kirimwo.

Ivyo navyo ni igihe igihugu kiri mu ntambara, mu gihe c'ibiza vyaba ibikomoka hanze canke hagati, vyaba ivy'indwara canke ivy'ihindagurika ry'ibihe.

Ariko igihugu kugira ngo gifate ingingo nk'izo gitegerezwa kuba kirangwa n'intwaro rusangi, maze izo ngingo zigafatwa n'inzego zaco zitegekanijwe n'amategeko.

Tubisanga mu ngingo ya 4 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu ni nayo itomora ibisabwa ari vyo vy'ibi :

- Igihugu gitegerezwa kuba kiri mu bihe bidasanzwe vyohakwa kukizimanganya ubwaco ;

- Ivyo bihe bitegerezwa kuba vyatangajwe icese n'itegeko ;

- Igihugu gitegerezwa gufata ingingo zihwanye n'ibihe kirimwo ntigica gifata ingingo mu ntumbero yo guhonyanya agateka ka zina muntu ;

- Ingingo zifatwa zitegerezwa kuba zidateye kubiri n'ibitegekanywa n'amategeko mpuzamakungu ;

- ingingo igihugu cafashe zitegerezwa gukurikizwa ata gucagura abantu gufatiye ku rukoba, amoko, igitsina ,ururimi umuntu avuga, ukwemera kwiwe canke amamuko yiwe kandi igihugu gitegerezwa kubimenyesha ibindi bihugu ko kiri mu bihe bidasanzwe kibicishije ku munyamabanga mukuru w'urwego rw'ibihugu ONU.

**III. Imvo zijanye n'ivyo umuntu wese n'umwenegihugu bategerezwa gukora**

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwa kiremwa muntu n'aho bugarukira

*(Bitangurira ku rup.10)*

Umuntu ntafise uburenganzira gusa arafise n'ivyo ategerezwa gukora.

Ivyo umuntu wese n'umwenegihugu bategerezwa gukora bitegekanijwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu mu ngingo za 27, 28 na 29 hamwe n'ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro ry'igihugu cacu mu ngingo za 62 gushika ku ya 74.

Ingingo ya 27 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu co kimwe n'ingingo ya 63 y'Ibwirizwa Shingiro zitegekanya ko « Umwenegihugu wese arafise ibikorwa ategerezwa kurangurira umuryango wiwe n,abandi bantu, igihugu n'ibisata vyaco».

Umutekano utegerezwa kubungabungwa n'umuntu wese aba umwenegihugu canke umunyamahanga. Ibi tubisanga mu ngingo ya 29 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu mu gace kayo ka 3 bikongera bigatomorwa n'ingingo ya 72 y'Ibwirizwa Shingiro mu gace ka 3 kavuga ko « Umurundi wese n'umunyamahanga wese aba mu Burundi ategerezwa kwirinda guhungabanya umutekano w'igihugu ».

Si ivyo gusa, ibwirizwa Shingiro rirategekanya ibindi umwenegihugu asabwa gukora :

* Kwubaha abo basangiye igihugu akabereka ko abasonera ata gukumira (ingingo ya 62) ;

* Kwubaha amabwirizwa n'inzego z'igihugu (ingingo ya 65) ;

* Gusonera no guha icubahiro abandi ata gucagura, no gukomeza imigenderanire iteza imbere kandi igatsimbataza ugusoneranira n'ukwihanganiranira (ingingo ya 67) ;

* Abenegihugu bose bategerezwa kurangura ivyo vyose igihugu kibakeneyeko n'ukukirwanira (ingingo ya 70 agace ka 1) ;

* Abenegihugu bose bategerezwa gutanga interano igihugu kibaronderako (ingingo ya 70 agace ka 3) ;

* Umurundi wese ategerezwa gukingira intahe y'ukwikukira n'imbibe z'igihugu (ingingo ya 72 agace ka 1) ;

* Umurundi wese ategerezwa kwama agavye kandi agaterera agacumu k'ubumwe mu kurwanira igihugu c'amavukiro (ingingo ya 72 agace ka 2) kandi umuntu wese ategerezwa guterera agacumu k'ubumwe mu kubungabunga amahoro, intwaro rusangi n'ubutungane kuri bose (Ingingo ya 73).

Mu majambo make, ivyo umuntu ategerezwa gukora biri mu bigize imvo zituma uburenganzira bumwe bumwe bw'umuntu bushingirwa akarimbi ku mpamvu z'uko harimwo ibibuza umuntu gukora ivyo ashaka vyose yitwaje uburenganzira bwiwe gusa, ariko bikamufasha n'ukwubahiriza ineza y'igihugu n'uburenganzira bw'abandi.

**IV.Uburenganzira budashingirwa akarimbi.**

N'aho twavuze ko uburenganzira bw'umuntu bushobora gushingirwa akarimbi mu ntumbero y'ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi canke mu kwubahiriza inyungu rusangi n'iz'igihugu, hariho uburenganzira ntakorwako budashobora gushingirwa akarimbi n'aho igihugu coba kiri mu kaga canke mu bihe bidasanzwe.

Ingingo ya 4 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike mu gace kayo ka 2 aho ivuga ko hari uburenganzira budashobora gushingirwa akarimbi.

Ubwo burenganzira na bwo ni:

* Uburenganzira bwo kubaho ;

* Uburenganzira bwo kudacurwa bufuni na buhoro canke gufatwa bunyamaswa ;

* Uburenganzira bwo kutagirwa umuja canke gukoreshwa bwa muja ;

* Uburenganzira bwo kudafunga umuntu kubera ko atashoboye kurangura ivyo yasezeranye n'uwundi ;

* Uburenganzira bwo kadahanira umuntu ibintu yakoze canke yirengagije gukora kandi igihe yabikora bitahanwa n'amategeko mpanavyyaha ;

* Uburenganzira bwo kwubahirizwa n'amategeko hamwe n'ukwidegemvya mu vyiyumviro vyiwe, mu mutima wiwe no kwemera kwiwe.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko n'aho umuntu afise uburenganzira, ntashobora kwitwaza uburenganzira bwiwe ngo akore ibihungabanya uburenganzira bw'abandi, artyoze imico n'imigenzo biranga igihugu, canke ngo ahungabanye umutekano w'igihugu n'ineza biranga intwaro rusangi.

Twabonye kandi ko n'aho uburenganzira bufise aho bugarukira, hariho uburenganzira budashobora gushingirwa akarimbi no mu gihe igihugu coba kiri mu bihe bidasanzwe bibangamiye ukubaho kwaco.

***Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# «Dilexi te» ikete rya mbere rya Papa Lewo wa 14

Papa Lewo wa 14 mu gice ca gatatu « Ekleziya yagenewe aboro » kuva ku no ***[ 39-48 ]*** aratwereka ingene abigisha bo mu ntango z'Ekleziya Katolika : Inyasi w'i Antiyokiya mweranda, Yustino mweranda, Yohani Krizostome mweranda na Augustino mweranda bigisha igihugu c'Imana kwama bitwararika gufasha aboro mu mpande zose.

Ku no ya 40, Yustino mweranda mw'ikete yandikiye abakuru b'igihe ciwe, yabandikiye abasigurira ko mu gisabisho cahuza abakristu ku minsi ya mbere y'indwi bazanira aboro ivyo bashoboye kuronka kuko bababonamwo abavukanyi muri Kristu.

Ati : « Mu gihe c'amasabamana, ntawoshobora gutandukanya amasabamana n'umwitwarariko bogirira aboro. » Nico gituma hariho ikiringo mu masabamana, aho abafise ivyo batanga kandi bavyipfuza atagahato karimwo batanga amashikanwa agenewe aboro uko umwe umwe wese abifitiye ubushobozi kandi avyipfuza.

Kuva ku no ***[49-81] Dilexi te*** irerekana ingene Ekleziya yitwararika abarwaye, abapfunzwe, inyambukira hamwe n'indero bagirira aboro ; aho yubakira amashule ikongera igafasha ba ntahonikora. Ukuba hafi inyambukira n'abandi. Hakaba n'ababahebera ubuzima bwabo iyo mirwi yose y'abakene akarorero umweranda Tereza w'i Calcutta. Eka mbere n'abavavanura n'amatungo y'iwabo kugira babe umwe n'aboro nka Fransisiko w'i Asize mweranda.

***Igice ca kane : ukwitwararika aboro si ivyakahise, birabandanya [82-102]***

Mu ntango yico gice, ***[82-101]*** itwereka umwitwarariko w'abasubirizi ba Petero mweranda mu myaka 150 iheze ku bijanye no gutanga inyigisho zihamagarira igihugu c'Imana kwitwararika aboro.

Ivyo tukabisanga mu makete y'aba Papa: ***«Rerum novarum*** ryo ku wa 15 Rusama 1891 aho Lewo wa 13 ahamagarira abakuru b'amahinguriro kudakandamiza abakozi babo, bakabakoresha mu butungane ; ***« Mater et Magistra »*** ryo muri 1961 ry'umweranda Yohani wa 23 rihamagarira ibihugu bitunze gufasha ibihugu bikenye kugira bive mu nzara ; ijambo umweranda Yohani wa 23 yashikirije ku maradiyo ku wa 11 Nyakanga 1962 ukwezi kumwe imbere yuko inama ya ***Vatikano ya 2*** itangura, amenyesha ko Ekleziya ariyo abantu bose canecane aboro.

Umweranda Pawulo wa 6 mw'ijambo ryo kugurura intambwe igira kabiri y'inama ya Vatikano ya 2, yagarutse ku ciyumviro c'uwo yari asubiriye avuga ko Ekleziya igaragariza aboro



amaso y'ikigongwe, ba ntahonikora, abashonje, abapfunzwe ; ni ukuvuga umuntu wese ababaye kandi yiririra.

Inama ya Vatikano ya Kabiri mu gice ***« Gaudium et Spes»*** yemeza cane ko ivyo Imana yaremye kw'isi bifitiye akamaro abayibako bose. Mw'ikete ***«Populorum progressio»*** umweranda Pawulo wa 6 akabigarukako a-vuga ko atawuhamagariwe kwigarurirako isi n'ibiri kuriyo wenyene mu gihe hariho abandi badafise ikibafasha.

Umweranda Yohani Pawulo wa 2 akaba yaragize ico ashikirije ku bijanye n'ukwitwararika aboro, abatagira aho bakika umusaya n'abandi bakene mw'ikete ***«Laborem exercens »*** ; papa Benedigito wa 16 akaba yashikirije uwo mwitwarariko mw'ikete ***« Caritas in veritate ».***

Papa Lewo wa 14 aheraheza ako gace yerekana ko akesha Papa Fransisiko vyinshi kuri uwo mwitwarariko.(89)

Mu no ***[90-102]*** « Dilexi te igaragaza ko kugira Ekleziya ifashe neza aboro bayo itegerezwa kwigana Yezu we yigize umworo kandi yari atunze vyose. Ntihamagariwe kubaha ivyo barya gusa, ihamagariwe canecane kubafasha kwiteza imbere kugira bave muri ubwo bukene.

**Mu gice ca nyuma c'iryo kete [103-121]** Papa Lewo wa 14 yerekana ko aboro bamyeho kandi Ekleziya yamanye uwo mwitwarariko wo kubaba hafi.

Ukubitwararika kwamye kumurikira imitima y'abakristu, kubabera urugendo imyaka yose. Ati: « Nico gituma cabaye icipfuzo cihutirwa co gutumirira umwe umwe wese kwinjira mw'ibenga ry'umuco n'ubuzima ryiburuka rimenyesha Yezu Kristu yiyerekana mu boro n'imbabare. »

Papa Lewo wa 14 akadukebura ati : « Umukristu ntategerezwa kubona umworo nkingorane mu kibano, aboro ni abacu.

Birakwiye rero ko ikintu cose ugiriye umworo, ico ari cose aheza akumva Yezu amubarira ati : «Naragukunze. » ( Ivyahishuwe 3,9).

***MSV M Goreth Ndikumana***